REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°12 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 29 RUHESHI 2022

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 29 Ruheshi 2022, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongoye kw'igenekerezo rya 22 Ruheshi 2022, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi bikurikira:

1. **Integuro y'ibwirizwa ritunganya irondoka rifashijwe no kwa muganga,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Reta y'Uburundi yarabonye ko ubugumba ku muntu ari ikibazo gihambaye gifatiye ku magara y'abantu, hamwe atacokorwa.

Iyo ngorane ica isongwa n'uko uwutibarutse adafatwa nk'abandi mu kibano, bikagira ingaruka mbi ku bubakanye.

Mu ntumbero yo gutorera umuti ico kibazo, hisunzwe kandi iterambere ry'ubuhinga bukoreshwa kwa muganga mugufasha abafise iyo ngorane kuronka ikibondo, birakenewe ko hashingwa ibigo bikoresha ubwo buhinga bwo kwa muganga, be n'amategeko abigenga. Niyo ntumbero y'iyo nteguro y'ibwirizwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze ifise akamaro kandi ihambaye naho ari ikintu gishasha mu Burundi.

Mu vyo yashikirije harimwo ibi bikurikira :

- Ico gisata nticogengwa n'ibwirizwa, ryoba itegeko;
- Kubera iryo tegeko rije gutunganya ibintu bihambaye bifatiye bu buzima bw'abantu, iyo nteguro yobanza ikihwezwa neza n'umurwi wo mu bushiranganji bw'amagara ujejwe kwihweza akarangamutima mu vyo kuvura (comité d'éthique);
- Birakenewe kubanza kwumviriza ico abantu biyumvira kuri ubwo buhinga bushasha mu Burundi.

Iyo nteguro izoheza **igarukanwe** mu nama nshikiranganji.

2. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n° 100/171 ryo ku wa 30 Nyakanga 2009 rishinga ingero zifatirwako mu gutanga akazi n'ibiharuro bifatirwako mu gushinga imishahara,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi.

Amategeko agenga abakozi ba Reta arashiramwo bishasha mu bijanye n'ingene akazi ka Reta gatangwa n'ingene amapete aduga mu kazi.

Ariko hafashwe ingingo y'uko muri iki gihe ibiharuro bifatirwako mu guharura imishahara n'ingero zifatirwako mu gutanga akazi bitohinduka.

Naho biri uko, iryo tegeko ririmwo izindi ngingo zimwe zimwe zikwiye guhinduka kuko zitajanye n'ayo mategeko mashasha agenga abakozi ba Reta.

Iyi nteguro rero igumizaho ingero zifatirwako mu gutanga akazi be n'ibiharuro bifatirwako mu gushinga imishahara uko zari zisanzwe, ariko igakuramwo ugutandukanya abigisha n'abatari abigisha. Irongera igakuramwo ingingo zerekeye abigisha bonyene.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, **yarayemeje** ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

3. **Integuro y'itegeko nshikiranganji ryugurura iyunguruzwa ry'amapete (déblocage fictif) ku bakozi ba Reta ku kiringo co kuva mu mwaka w'2016 gushika umwaka w'2022,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi.

Mu tumbero yo gutunganya neza ibijanye n'imishahara mu buzi bwa Reta, Reta yarategekanije amafaranga atangwa mu kugabanya ubusumbasumbane buri mu mishahara, irahagarika amahera yatangwa ku mwaka ku mwaka bivuye ku manota umukozi yaronse, be n'uturusho tundi, aho ni kuva mu mwaka w'2016 gushika iki gihe.

Kuva uwo mwaka, abakozi ba Reta bagumye bahabwa amanota ku mwaka ku mwaka, ariko ntibaduga amapete ajanye n'amanota bagiye bararonka.

Hisuzwe uwo mugambi wo gutunganya neza ibijanye n'imishahara mu buzi bwa Reta wemejwe kw'igenekerezo rya 02 Ntwarante 2022, iyi nteguro ije kwugurura iyunguruzwa ry'amapete, kugirango hatangure iharurwa rishasha ry'imishahara ritegekanywa n'uwo mugambi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, **yarayemeje** ibanje kwerekana tumwe tumwe tuzotosorwa.

4. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga urugero rushasha rw'amahera atangwa ku bakozi ba Reta mu kugabanya ubusumbasumbane bw'imishahara,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi.

Kw'igenekerezo rya 02 Ntwarante 2022, Reta y'Uburundi yaremeje umugambi wo gutunganya neza ibijanye n'imishahara mu buzi bwa Reta.

Mw'ishirwa mu ngiro ryawo, vyasabwe ko womara ikiringo c'imyaka 10, hagategekanywa uburyo bungana na miliyaridi cumi na zibiri n'igice z'amahara y'Amarundi (12,5) mu myaka icenda, bushobora kwongerezwa uburyo bubonetse.

Mu mwaka w'2021 ushira uwa 2022, hategekanijwe amahera y'Amarundi imiliyaridi mirongo ibiri na zitanu (25).

Iyi nteguro yerekana ingene ayo mahera yogabanganywa mu bakozi ba Reta mu kugabanya bwa busumbasumbane, nk'uko bitegekanywa n'uwo mugambi.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, **yarayemeje,** ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

5. **Igitabu gitanga intumbero mw'itunganywa ry'imisozi ihanamye no kurwanya inkukura, be n'umugambi wo gukingira iyo misozi ihanamye,** vyashikirikwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Itegurwa ry'ico gitabu gitanga intumbero mw'itunganywa ry'imisozi ihanamye no kurwanya inkukura ryavuye kuri ibi bikurikira:

- Ubwinshi bw'abafashanya n'uburundi mu migambi y'iterambere ariko ntibigaragare ku kibuga.

- Intumbero nshasha ya Reta y'uko abo bafashanya mu migambi y'iterambere boyitegurira hamwe, bakisunga ivyo Reta ishira imbere kandi yategakanije kurangura;
- Iciyumviro ngenderwako c'uko uburimyi butica ibidukikije, ariko vyuzazanya;
- Gutunganya imitumba ihanamye no guca imikobeko ku mitumba yose y'igihugu kugirango amazi y'inzuzi zose agume ari meza.
- Gutunganya imitumba ihanamye no guca imikobeko kugirango umwimbu wiyongere biciye mu kuvomera ku mitumba.

Kugirango uwo mugambi uje mu ngiro neza, birakenewe ko uherekezwa n'indinganizo y'ibikorwa yerekana ingene uzorangurwa.

Intumbero ni uko imitumba ihanamye be n'aho isesera amazi hotunganywa neza, kugirango umwimbu wiyongere.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, **yarawemeje**, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Ibiri muri uwu mugambi vyotangura kuja mu ngiro vuba;
- Gukingira ibidukikije coba igikorwa c'umuntu wese;
- Ikizokwerekana ko imigambi nk'iyi yafashije koko ni uko amazi yo mu nzuzi zose yoba umusarara;
- Imiserege yo kurwanya inkukura ku mitumba yocibwa muri iri ci kandi ata kuraba ngo itongo ni irya naka;
- Abajejwe intwaro bogira uruhara rukomeye muri uyu mugambi;
- Inzuzi zisuka mu Kiyaga Tanganyika zokingirwa mu gutera imigano ku nkengera zazo.

6. **Umugambi w'ingene ikigo kijejwe gusuzuma ubuziranenge (BBN) coshirwa ku rugero rwa none n'ingene cokora neza,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandanji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

   Mu mwaka w'2018, Uburundi bwarashizeho umugambi w'igihugu w'iterambere.

   Niwo fatiro mu bijanye no gutunganya ivy'ubutunzi bw'igihugu. Mu gufasha mw'ishirwa mu ngiro ryawo, mu nkingi yawo yerekeye gushigikira igisata c'abikorera ivyabo na Reta mu guteza imbere ishora ry'ibintu hanze y'igihugu, be no gukingira abaguzi, harakenewe gushirwaho umugambi w'ingene ikigo kijejwe gusuzuma ubuziranenge (BBN) coshirwa ku rugero rwa none n'ingene cokora neza, amasuzumiro y'ico kigo akamenyekana kandi akemerwa no ku rwego mpuzamakungu.

Ni muri iyo ntumbero uwu mugambi wateguwe. Wishimikije uko ibintu vyifashe ubu muri ico kigo, urerekana aho ico kigo gikomeye, aho gihobahoba, ivyo coshobora gushikako be n'intambamyi zihari.

Uwo mugambi waciye ufatira kuri ivyo, uca urerekana ihangiro ufise, ivyokorwa biza imbere y'ibindi, hamwe n'ivyitezwe gushikwako. Ibikenewe muri iki gihe, haba mu bijanye n'abakozi, uburyo n'ibikoresho vyarashizwe ku rutonde.

Ihangiro ni uko mu mwaka w'2027, Ikigo kijejwe gusuzuma ubuziranenge (BBN) coba gifise ibisata n'amasuzumiro vyemewe mu makungu, kugirango ivyo cemeje bishobore guhiganwa n'ibindi ku masoko yose, n'abaguzi bakingirwe.

Icipfuzo nyamukuru ni kugirango ico kigo giterere mw'iterambere ry'imibano n'ubutunzi, biciye mu guha agaciro ibihingurwa mu Burundi bigahiganwa n'ibiva ahandi, no gukingira abaguzi.

Indinganizo y'ibikorwa bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi iri ku kiringo c'imyaka itatu, uburyo buzokenerwa nabwo bukaba bungana na m'imiliyoni zitandatu (6 000 000) z'amadolari y'Abanyamerika.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino uwo mugambi, **yarawemeje,** mu vyasabwe hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gukorana n'ibindi bisata bijejwe ivyo gusuzuma, bikenewe habe isuzumiro rimwe rudende rifise ibisata bitandukanye ;
- Gushinga ivyisungwa mu gusuzuma haba kuvyerekeye abantu, ibiterwa, ibikoko,kandi bigakurikizwa;
- Kuronsa ikigo kijejwe gusuzuma ubuziranenge (BBN) abakozi bakwiye kandi babishoboye, be n'ibikoresho bikenewe;
- Kwerekana ku mwaka ku mwaka ibikewe be n'uburyo bijanye kandi bugashirwa mu mahera y'Amarundi.

7. **Integuro y'itegeko rifuta uburenganzira bwahawe ishirahamwe PROCERV bwo gutunganya no gukorera mu karere kadasanzwe k'ubudandaji ka Warubondo,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Kw'igenekerezo rya 16 Rusama 2016, Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ProCerv barashize umukono ku masezerano yo gutunganya no gukorera mu karere kadasanzwe k'ubudandaji ka WARUBONDO..

Kuva ayo masezerano ashizweko umukono, biraboneka ko iryo shirahamwe ritakoze ivyo ryiyemeje, kuko ako karere gushika ubu ntigakora, kandi mu masezerano hari handitsweko iryo shirahamwe ryotangura ivyo gutunganya ako karere inyuma y'amezi atarenga atatu (3) ayo masezerano ashizweko umukono.

Kw'igenekerezo rya 23 Ntwarante 2021, iryo shirahamwe ryaragabishijwe, ryibutswa ivyo ryiyemeje.

Kw'igenekerezo rya 08 Nyakanga 2021, Inama nshikiranganji yarihweje urwandiko rujanye n'ingingo zihuta zofatwa ku bijanye n'ako karere kadasanzwe k'ubudandaji. Haciye hashingwa ibi bikurikira :

- Ubushikiranganji bujejwe ubudandaji ni buhagarike amasezerano ari hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe ProCerv kuko ritubahirije ibiri mu masezerano. Ubushikiranganji bujejwe ubutungane buzoterera muri ico gikorwa ;
- Nyene kwubaka isoko aho i Warubondo azogiranira amasezerano mashasha n'uwundi azoba yaharonkejwe;
- Gutegura amategeko agenga uturere tudasanzwe tw'ubudandaji ;
- Ubushikiranganji bujejwe inyubakwa bwotunganya neza akarere ka Warubondo;
- Ubushikiranganji bw'ubudandaji, bufatanije n'ubujejwe inyubakwa, be n'ubujejwe amazi bwotegura neza ico kibanza ca Warubondo mu kwerekana ishusho ry'ingene ibikorwa bitandukanye bizoharangururirwa.

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro ivyo vyashikirijwe n'inama nshikiranganji, ayo masezerano yarafuswe kw'igenekerezo rya 18 Ndamukiza 2022 kugirango ako karere gashobore gutangwa ku wundi yoba abishoboye, abifitiye ubuhinga n'uburyo.

Kugirango ivyo bikorwe neza, bisaba ko amategeko yofuta uko gutiza ishirahamwe ProCerv ako karere ka Warubondo.

Ni muri iyo ntumbero izi nteguro zibiri zashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza iyo nteguro, yasanze vyoba vyiza kubanza **gusuzuma** neza amasezerano yashizweko umukono, mukuraba ivy'uruhande rumwe rwose rwiyemeje ko rwabishitseko, haboneke ikitaranguwe n'uwo cega, gurtyo ingingo ishobore gufatwa. Iyo nteguro izoheza **igarukanwe** mu nama nshikiranganji ivyo vyose vyakozwe.

8. **Urwandiko rujanye n'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano y'intizo y'itongo hagati ya Reta y'Uburundi n'ishirahamwe « SARAKO Sprl »,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'amazi, amasoko ntanganguvu, ubutare n'agataka**.**

Reta y'Uburundi yaragiraniye amasezerano n'ishiramwe Tauber Solar Holding GmbH rikoranye n'ishirahamwe SARAKO PVP Co.Ltd, kw'igenekerezo rya 14 Nyakanga 2014 yerekeye ukwubaka amahinguriro abiri y'umuyagankuba uva mu mishwara y'izuba i Bubanza n'i Gitega, rimwe rimwe rifise ubushobozi bwa megawate cumi (10 MW).

Itegeko n°100/223 ryo ku wa 08 Gitugutu 2014 niryo ryemeje ayo masezerano kugirango ayo mashirahamwe yagiye hamwe ashobore gutangura ibikorwa.

Ayo mashirahamwe yarasavye ko ayo masezerano yosubirwamwo, kugirango ico gikorwa gishikirizwe amashirahamwe TS Mauritius GmbH na Sarako management (Africa) Ltd, aririyo rifise umutahe munini muri « SARAKO Burundi Sprl ». Reta y'Uburundi yaremeje ayo masezerano asubiwemwo.

Icibonekeza ariko, ni uko ayo masezerano yatevye cane gushirwa mu ngiro kandi ku mvo zidasiguritse, kuko uwo muyagankuba wategerezwa kuba watanguye guhingurwa mu kiringo kitarenza amezi cumi n'abiri (12) ayo masezerano yemejwe.

Ikindi naco, ni uko ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano ryotera ingorane kubera bimwe bimwe bikurikira:

- Igiciro bogurishako umuyagankuba kiri hejuru cane ugereranije n'ibindi biciro amashirahamwe nk'ayo awugurishako ubu ;
- Ishirahamwe REGIDESO ntiryoshobora ico giciro ;
- Iheberwa ry'amatagisi kuri iryo shirahamwe ryoba riciye kubiri n'ibwirizwa rigenga amasezerano y'ingene Reta ikorana n'abikorera ivyabo mu kurangura imigambi
- Ayo masezerano ntategekanya ingene ayo mahinguriro azoshikirizwa Reta ikiringo categekanijwe kirangiye.

Intumbero y'uru rwandiko yari iyo gusaba Reta kwemera ko ayo masezerano yofutwa kugiranngo ayo matongo aronswe abandi bafise ubuhinga n'uburyo bwo kwubakamwo ayo mahinguriro y'umuyagankuba.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza urwo rwandiko, yasavye **hosuzumwa** neza ko intambwe zose mu bijanye no gufuta amasezerano zubahirijwe, ikazoheza **ikagarukanwa** mu nama nshikiranganji.

9. **Urwandiko rwerekeye ishirwaho ry'amategeko agenga umurwi ujejwe kuganira mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, kuvyerekeye Uburundi,** rwashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigabo n'imigambi yo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama.

Amasezerano ashinga umuryango w'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko ategekanya ko ibihugu biwugize vyiyemeza gukomeza ibiganiro n'igisata c'abigenga n'amashirahamwe ategamiye Reta, ku rwego rw'ibihugu n'urwakarere, kugirango ivyo bifashe mw'ishirwa mu ngiro ry'ingingo ziba zumvikanyweko mw'irangurwa ry'imigambi yo muri uwo muryango.

Ivyo biganiro vyorohereza gukorana n'abandi kandi birafasha abantu bavuka mu bihugu bigize uwo muryango kugira ico bawuterereyemwo.

Ishingwa ry'urwo rwego rujejwe ivyo biganiro rihuye n'ivyashinzwe n'inama igira cumi n'icenda y'abashikiranganji b'ibihugu bigize uwo muryango yasaba ubunyamabanga bukuru bw'uwo muryango gushira mu ngiro amasezerano ashinga uwo muryango.

Inama igira mirongo ibiri na gatandatu y'abashikiranganji b'ibihugu bigize uwo muryango yaremeje ishingwa ry'urwo rwego ruzoba ari urwo guhanahana ivyiyumviro hagati y'abaserukira Reta, abikorera ivyabo, amashirahamwe ategamiye Reta, n'abandi, ku bijanye n'ibirangurirwa muri uwo muryango.

Ku rwego rw'ibihugu, umugwi ujejwe ibiganiro uzoba ukurikiranirirwa hafi n'ubushikiranganji bujejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'ubuseruko, ku rwego rw'akarere nawo ukazokurikiranirirwa hafi n'ubunyamabanga bukuru bw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika u'Ubuseruko.

Uru rwandiko rurashikiriza aboba bagize uwo murwi ku vyerekeye Uburundi, rukanasaba ko urwo rwego rwoshirwaho n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu canke iry'Umushikiranganji wa Mbere.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza imirimo urwo rwego ruzoba rujejwe, **yarashigikiye** ko rwojaho, rugashirwaho n'itegeko ry'Umushikiranganji wa Mbere, ikaba yaranaterereye ku bazoba bagize uwo murwi.

10. **Urwandiko rwerekeye umugambi wo gushigikira uburimyi n'ubworozi no gukarihiriza ubwenge urwaruka n'abakenyezi,** yashikirjwe n'umushikiranganji ajejwe imigabo n'imigambi yo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama

Mu bibazo Reta y'Uburundi yashize imbere y'ibindi, harimwo ibijanye n'ubuzi, kwongereza ubumenyi ku rwaruka kugirango birworohere kuronka akazi.

Uwo mugambi uzoshigikirwa n'Ibanki ya Afrika ijejwe iterambere, wateguwe muri iyo ntumbero.

Uzofasha urwaruka n'abakenyezi mu kunagura ubumenyi bwabo mu kazi, mu kubigisha ingene bitunganiriza imigambi mu burimyi n'ubworozi, ivyo navyo bikazotuma intererano yabo mu butunzi bw'igihugu no gutanga ubuzi vyiyongera.

Uwo mugambi uzofasha :

- Mu gushigikira urwaruka n'abakenyezi ngo baronke ubumenyi n'ubuhinga kugirango biborohere kuronka akazi ;
- Mu gushigikira ishingwa ry'amashirahamwe kugirango haboneke akazi ku rwaruka n'abakenyezi;
- Gukomeza ubuhinga ngurukanabumenyi mu rwaruka n'abakenyezi.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino urwo rwandiko rujanye n'uwo mugambi, **yararushimye** ica isaba ko hokorwa ibishoboka kugirango uwo mugambi utangure kuja mu ngiro mu kwezi kwa Nyakanga uyu mwaka.

## 11.Utuntu n'utundi

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaramenyesheje ko henshi mu gihugu imashini zisya ivyimburwa zicaye. Yaciye asaba abashikiranganji bajejwe uburimyi n'ikigega ca Reta kwiga ingene ibigori vyokwinjizwa mu gihugu kugirango izo mashini zibandanye zikora.

Yaciye anasaba ko agatasi kokwitegurirwa neza, mu kurondera ibikenewe vyose no guhimiriza abantu kuvomera imirima n'amazi y'imvura, kugirango umwimbu uzobe mwiza.

Mu guheraheza, yaripfurije Abarundi Isabukuru nziza y'ukwikukira kw'Uburundi, aca anamenyesha ko akaruhuko k'abashikiranganji kazotangura kw'igenekerezo rya 04 Mukakaro 2022, bakazosubira ku mirimo igenekerezo rya 18 Mukakaro 2022.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 30 Ruheshi 2022

Umunyamabanga mukuru wa Reta akaba n'umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE